**CONFERENCE**
**DES EVEQUES CATHOLIQUES**
**DU BURUNDI**

**Secrétariat Général**

A lire le 23 mars 2025

## IJAMBO RY'UMUKURU W'INAMA Y'ABEPISKOPI GATOLIKA B'IBURUNDI RIHEREKEZA IJAMBO ABEPISKOPI BAGIZE ISHIRAHAMWE RY'INAMA Z'ABEPISKOPI ZO MURI AFRIKA YO HAGATI BASHIKIRIJE ABABA MU KARERE K'IBIYAGA BININI

Bakristu bavukanyi dusangiye ukwemera,
eka namwe mwese Imana ikunda mukayikundira

Murumvise ijambo Abepiskopi b'aka karere babashikirije ku bijanye n'umutekano muke urangwa mu karere k'ubuseruko bwa Republika iharanira Demokarasi ya Kongo, batwibutsa ko amahoro ari ryo tunga tubwirizwa guharanira no kubungabunga muri ibi bihugu vyacu vy'ibiyaga binini. Twebwe abungere banyu ng'aha mu Burundi turabasavye ko mwokurikiza izi mpanuro 4 tubashikirije zodufasha kurishira mu ngiro :

1. Kwiyamiriza ivyiyumviro, inyigisho n'ibikorwa bitegura kandi bikakwega ubwicanyi n'intambara muri aka karere kacu ;
2. Gushira imbere ibiganiro hagati y'abantu n'abandi, mu migambwe no mu mashirahamwe, mu gihugu no hagati y'ibihugu vy'aka karere kacu, ibiganiro bishikana ku mwumvikano, ku kubana neza no ku mahoro arama ;
3. Kwama dusaba amahoro muri kano karere kacu mu bisabisho bitandukanye. Hejuru y'ivyo, turashinze igisabisho c'imisi itatu ku mataliki akurikira :
   - Ku musi wa kane, igenekerezo rya 27 ntwarante 2025 : Isakramentu ryeranda ni ryirirwe kuri Altari nyeranda mu masengero yose. Umukristu wese n'imigwi itandukanye, nibarondere umwanya ukwiye wo kuza kurishengerera basaba amahoro n'ubutungane ;
   - Ku musi wa gatanu, igenekerezo rya 28 ntwarante 2025 : ni ube umusi w'ugusenga n'ukwisonzesha bidasanzwe, tutibagiye n'Inzira y'umusalaba, dusaba amahoro n'ubutungane ;
   - Ku musi wa gatandatu, igenekerezo rya 29 ntwarante 2025 : ni ube umusi wo kwambaza Umuvyeyi wacu Bikira Mariya, Umugabekazi w'amahoro. Umukristu wese n'imigwi itandukanye, nibarondere umwanya wo kuvuga ishapule no kwishikana kuri Bikira Mariya, dusaba amahoro n'ubutungane.
4. Gutegure neza indwi y'urukundo ngo dushobore gutangane akanyamuneza, turonke ivyo dufashisha abakene bacu, tutibagiye n'impunzi zahungiye mu gihugu cacu.

Turangije, tubasaba ko mwokwamana umwitwarariko w'ukwubahiriza ubuzima bw'umuntu uwo ari we wese, gusubiza hamwe no kurekuriranira, gukomeza ubutungane, ngo bidushikane ku mahoro n'iterambere birama, ngo umuntu wese yishire yizane mu biwe no mu vyiwe.

Kubw'Inama y'Abepiskopi Gatolika b'i Burundi,

Musenyeri Bonaventura NAHIMANA,
Umwepiskopi mukuru w'i Gitega
akaba arongoye iyo Nama

Conférence des Evêques Catholiques du Burundi
C. E. CA. B.
B. P. 1390 Bujumbura
Burundi

Bd de l'Uprona 5 – B.P. 1390 Bujumbura – Burundi – Tél (+257) 22223263 – Fax (+257) 22223270
E-mail : cecabs@yahoo.fr Site Web: www.eglisecatholique.bi